**ISHIRAHAMWE RYA BURAYA**
**UMURWI W'ISHIRAHAMWE RY'ABANYABURAYA**
**UJEJWE GUKURIKIRANA AMATORA-BURUNDI 2010**
**Amatora y'abajenama b'amakomine, ay'Umukuru w'Igihugu, ay'Abashingamateka, ay'Abakenguzamateka, n'ay'Imitumba**

## ITANGAZO MFATAKIBANZA

**Amatora atunganijwe mu mutekano hakoreshejwe uburyo bukwiye. Kubona Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, utashimye gushira ahabona ivyavuye mu matora aherutse, hamwe n' ihagarikwa ry'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta, vyaratosekaje umugambi w'amatora.**

**Bujumbura, kuwa 25 Mukakaro 2010**

*Ku butumire bwa Reta y'Uburundi, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warashitse mu Burundi kuva kw'itariki 25 Ndamukiza uyu mwaka (2010). Uyo murwi urongowe n'umupfasoni Renate Weber, akaba asanzwe ari mu Nama Nshingamateka ya Buraya. Abarorerezi bangana na mirongo umunani na batandatu ba Buraya, mu Buswisi, Norvège, na Canada barakwiragijwe mu ntara cumi n'indwi zigize Uburundi kugira ngo bakurikirane neza amatora y'Abashingamateka uko atunganijwe hakurikijwe amategeko mpuzamakungu hamwe n'ay'Uburundi.*

*Izo ntumwa zitanze icegeranyo c'imfatakibanza, mu bwigenge kandi zisunze Itangazo mpuzamakungu ryerekeye gukurikirana amatora ryashikirijwe muri Gitugutu umwaka wa 2005.*

*Ku munsi w'amatora, abo barorerezi bo mu Murwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, baragendeye ibiro vy'amatora bishika kuri 404 biri mu ntara 17 zigize igihugu, kugira ngo bihweze itangurwa icese ry'amatora, bayakurikiranire hafi, baharure ivyavuyemwo bongere bihweze itangazwa ry'ivyayavuyemwo.*

*Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urakurikiranira hafi ibikorwa vy'amatora. uhereye kw'itunganywa ry'amatora y'Abashingamateka, urongera ukihweza ibikorwa bikwirikira amatora y'Umukuru w'Igihugu, imyiteguro y'amatora y'Abakenguzamateka hamwe rero n'ishirwaho ry'Abajenama b'Amakomine.*

*Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, uzokwihweza kandi ibikorwa bihereza amatora na cane cane ukwegeranya ibiharuro, n'ikiringo gihambaye co kwihweza neza amatati yabaye mugihe co gutora n'ingene botorera umuti ayo matati. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uzotangaza icegeranyo ntabanduka muri rusangi ku vyihwejwe vyose, hatarenze amezi abiri amatora yose arangiye.*

## ICEGERANYO C'IMFATAKIBANZA

- Amatora y'Abashingamateka yo kuwa 23 Mukakaro 2010 akaba abaye aya gatatu mu rukurikirane rw'amatora atanu atunganijwe kuva muri Rusama gushika mu kwezi kwa Nyakanga. Imigambwe indwi n'abitoza babiri bigenga nibo bahiganwa muri ayo matora. Abarundi bari bahamagariwe gutora Abashingamateka 100, imbere yo guhava bongerako amajwi bakwirikije uburyo bushingiye ku ntonde zugaye zo mu ntara. Twagomba kwibutsa ko kuva ku matora y'Abajenama b'Amakomine yo kuwa 24 Rusama, hakurikiye ukutumvikana mu vya politike hagati y'umugambwe CNDD-FDD, ari nawo waronse amajwi menshi muri ayo matora, hamwe n'imigambwe itavuga rumwe, iyo nayo ikaba itemera gushika n'ubu ivyavuye muri ayo matora, kubw'ivyo bamwe bakaba baciye biyonkora mw'ihiganwa ry'amatora.
- Amatora akaba yabaye mu mutekano. Abarorerezi, aho baciye, bakaba basanze uburyo bwose bwari bukwiye, kandi ko amatora yagenze neza ku bw'itunganywa ryayo. Mugabo naho biri uko, hakaba habonetse utunenge mw'itunganwa na cane cane isuzumwa ry'irangi ridafudika bashira ku ntoke z'abatora.
- Ku bijanye n'abacungera umutekano, muri rusangi vyagenze neza. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gutunganya Amatora, uributsa ukongera ugasaba, mu bijanye n'umugambi w'amatora, ko abajejwe umutekano bokinga ataho begamiye hakwirikijwe amategeko ivyoza vyose bihungabanya umutekano.
- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, urashimira umugambwe UPRONA, mu bijanye n'umugambi w'amatora, ariko ntushimishwa n'ukubona imigambwe yindi itavuga rumwe na Reta ititavye ayo matora, iyo nayo ikaba yabonye ko hahiganwa imigambwe ibiri, mugabo bikaboneka ko ivyavuye mu matora y'Abajenama b'Amakomine vyerekanye ko iyo nayo yari isanzwe ifise abanywanyi, iyo nayo akaba ari CNDD-FDD na Uprona. Iyindi migambwe ikaba yibonekeza mu kutamenyekana cane, hamwe rero n'ibiharuro bidashemeye vyabo vyavuye mu matora y'Abajenama b'Amakomine.
- Amategeko aratomora neza ukwo amatora atunganywa hisunzwe amategeko mpuzamakungu agenga amatora, ayo nayo benshi babona ko Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI hamwe n'abategetsi batashoboye kuyakurikiza ahubwo mbere yaranzwe n'ingingo zigiye ziratangwa mu mvugo kandi zitevye. Umugambi w'amatora wari kwigira amategeko awubahiriza ahanini yanditse kandi akamenyekanishwa.
- Abajejwe gutunganya amatora baremeje ko uburyo bukwiye bwari bwashizweho hihwejwe itunganywa ry'amatora atatu yaheruka kuba. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimira Imirwi yigenga ijejwe

gutunganya amatora ku rwego rw'Intara CEPI, hamwe no ku rwego rw'Amakomine CECI, urongera ugashimira n'abagize ibiro vy'amatora (BV).

- Umugambi w'amatora waratosekajwe n'ukuntu Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu,CENI, utashimye gutorera inyishu utunenge twibonekeje mu bijanye no gukorera ku mugaragaro, ivyo bikiboneza mu kutamanika ku biro vy'amatora ivyavuye mu matora hamwe rero n'ugutanga ikopi y'icegeranyo ku bahagarikizi b'amatora barungitswe n'imigambwe.

  Ukwizera uwo mugambi, gutuma ingingo ngenderwako z'ugukorera ku mugaragaro zishoboza abanyepolitike n'abatora kwibonera ubwabo, ukugene amajwi yaharuwe. Biratuma kandi imigambwe iri mw'ihiganwa ishobora kuronka uburenganzira bwo gushikiriza utunenge babonye mu ntumbero yuko hari ivyokosorwa. Ubwo burenganzira bugabanywa n'uko abari bahagarikiye imigambwe yabo bataronkejwe ivyegeranyo vyabo.
- Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, waramenyesheje mu mvugo, amasaha 48 imbere y'amatora, imanikwa ry'icegeranyo kigenewe abahagarikizi b'imigambwe mu ma CECI, hamwe rero n'ukugwiza amakopi y'ivyegeranyo biri mu ma CECI, ajanwa mu ma CEPI. Izo ngingo zafashwe ziteba kandi ntizishuye kw'ihangiro ryari ryamenyeshejwe, kubera yatuma abaserukiye imigambwe guhagarikira amatora, gutakaza icegeranyo bari bafitiye uburenganzira hamwe no kugaragaza ivyegeranyo guhera ku gikorwa c'iharurwa ry'amajwi, ivyo navyo vyotumwe no kubimanika vuba mu bibanza vy'amatora hamwe no kubironsa abahagarikizi
- Mw'ishirwa mu ngiro, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye imanikwa ry'ivyegeranyo F2 muri CECI imwe, dufatiye kuri 27 zagendewe gushika mu gicugu mw'ikomine Gihanga, mu ntara ya Bubanza. Kw'isaha icenda z'umuhingamo, kuwa 24 Mukakaro, ivyegeranyo vyari vyamaze kumanikwa mu ma CECI 14 kuri 57 yagendewe. Hanyuma kw'isaha icumi na zibiri z'umuhingamo, kuri uwo munsi nyene, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye imanikwa ry'ivyegeranyo F2, rimwe na rimwe bidakwiye, mu ma CECI 41 kuri 98 yagendewe, ivyo bikangana n'ibice 42%; intambamyi nyamukuru yatuma iryo manikwa ritubahirizwa ngo kwari ukubura ikibanza co kubimanikako. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura kubona atacamanitswe ahanini mu ma CECI yagendewe, kukaba nkako, ntushimishwa no kubona ko naho habaye imanikwa hatubahirijwe ingingo yuko ivyavuye mu matora bimenyekanishwa bikongera bigatangazwa buva bwango.
- Niba ari CENI yabwirizwa gukorera ku mugaragaro ubwa mbere, ivyo ntibituma imigambwe ihiganwa yigira sindabibazwa na cane cane mu guha inyigisho abahagarikizi babo. Kukaba nkako, twihweje ubwinshi bw'abahagarikizi b'imigambwe, n'abahagarikizi b'abarundi bakwiragijwe, hamwe rero n'iharurwa

ribangabanganywe ry'ivyavuye mu matora, vyari kuba vyiza gusumba iyo bitangurana n'amatora y'Abajenama b'Amakomine.

- Mu bijanye n'amatora yegeranye, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'iyamamazwa ry'Abashingamateka n'Abakenguzamateka mu kiringo kimwe, naho ibikorwa vy'imyiyamamazo y'Abakenguzamateka vyari vyahagaritswe kuwa 23 Mukakaro, nk'uko vyari vyasabwe n'itegeko bwirizwa ry'Umukuru w'Igihugu ryo kuwa 11 Mukakaro, ntivyubahirije ingingo y'Igitabu c'amategeko agenga amatora iyo nayo ikaba ijanye n'uguhagarika ibikorwa vyo kwiyamamaza amasaha 48 imbere y'umunsi w'amatora. Mu matora yo mu myaka iza, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratanga iciyumviro kijanye n'uko hotandukanywa ibiringo vy'amatora mu ntumbero yo kubahiriza amategeko.
- Imyiyamamazo yabaye mu kiringo co guhangana muri politike ivyo vyose bikaba mu mutekano. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye igabanuka ryo gutera ibisasu biturika vyari vyibonekeje mu matora y'Umukuru w'Igihugu, ariko uwo mugwi ntushimishwa kandi uranebagura igitigiri vy'abafunzwe hamwe n'abahasize ubuzima. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa ko umutekano muke, hamwe n'ububisha bidafasha mw'itunganywa ry'amatora yubahiriza intwaro rusangi.
- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye muri iki kiringo c'umugambi w'amatora, iyongerezwa ry'ubwigenge bwo gukorana, ukwiyamamaza hamwe no gushikiriza ivyiyumviro vya politike. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warongeye urabona ihagarikwa ry'abarongozi n'abanywanyi batavuga rumwe na Reta, bikozwe n'igiporisi hamwe n'urwego rw'i Perereza, muri iki kiringo c'amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ukaba urajwe ishinga n'iryo hagarikwa ry'abanywanyi bari mu migambwe ya politike itavuga rumwe na Reta.
- Muri rusangi, CNDD-FDD yiyamamaje n'umwete mwinshi, bikaba vyayifashije kuba izwi hose ugereranije n'iyindi migambwe yariko irahiganywa. Naho CENI yari yagabishije kare, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye ikoreshwa ry'uburyo bwa Reta mu kwiyamamaza na cane cane ku mugambwe CNDD-FDD. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa no kubona ko ivyo biteye kubiri n'Igitabu c'amategeko agenga amatora kandi bikongera bigatera kubiri n'ishirwa mu ngiro ry'amatora abereye mu bijanye n'ukwiyamamaza kungana kuri bose, ivyo navyo ko bitahanwe n'inzego zibijejwe nk'uko vyibonekeza mu matora y'Abajenema b'Amakomine hamwe n'ay'Umukuru w'Igihugu.
- Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ingene ibijanye n'amatati aturutse mu matora adasigurwa neza mu gitabu c'amategeko agenga amatora hamwe n'ingingo ngenderwako dusanga muri CENI no muri Sentare

yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, zikaba ari inzego zikurikirana amatora mu gihugu ariko zitamenyekanishijwe bikwiye imbere y'amatora twahagarikiye, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ukaba warerekanye incuro nyinshi impungenge zijanye no kudatomora ingingo zigenga amatati ajanye n'amatora y'Abajenama b'Amakomine.

- Nk'uko vyagenze ku matora aheruka, ibimenyeshamakuru vyaragiye hamwe kugira ngo bishikirize amakuru ku ruhande rumwe, ajanye n'ikiringo co kwiyamamaza hamwe n'ic'amatora muri "rusangi". Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashima iyo nyifato hamwe n'ico iyo nyifato yamaze, ukaba utera intege ibimenyeshamakuru mu kubandanya iyo ngendo no mu matora y'imitumba azokwirikira mu kwezi kwa Nyakanga.
- Ibimenyeshamakuru ahanini vyaranguye umwuga wavyo hubahirijwe ubwigenge bw'ibimenyeshamakuru. Ariko rero naho biri uko, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'ingendo yo gukubagura abamenyeshamakuru muri ico kiringo, kandi, na cane cane ifungwa ry'Umuyobozi w'ishami Net Press. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urahagaritswe umutima n'ico kibazo.
- Igisata kijejwe gikurikirana amakuru c' Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora cabonye ko umugambwe CNDD-FDD wakoresheje amaradiyo n'imboneshakure kurusha iyindi migambwe. Kuba imigambwe imwe imwe yatanguye itevye kwiyamamaza, vyayitumye ihitamwo ingendo y'ukwiyamamaza inzu ku nzu bitewe kandi n'uko igitigiri c'abitoza muntara carutana.
- Abahagarikizi b'amatora ku bice 88% babonye ko ingendo y'ibikorwa vy'amatora ari nziza ku biro vyagenduwe. Abahagarikizi barungitswe n'imigambwe bariho kurugero rw'ibice 98% ku biro vy'amatora vyagenduwe, bagizwe n'ibice 94% bo mu mugambwe CNDD-FDD, 69% ba UPRONA, FRODEBU-Nyakuri ku bice 17.1%. Abahagarikizi baserukira imigambwe bo kuri rumwe muri za ntonde zitandatu niho bari mu bice biri musi ya 0.3% vy'ibiro vy'amatora ; kubijanye n'iyubahirizwa ry'akazi, hihwejwe ko aho akazu ko gutora kashizwe ahantu horohereza ibanga mugutora ku bice bingana 96.8% mu biro vyagenduwe ; ariko isuzumwa ry'irangi ridahanagurika ntiryakozwe ku bice 67.1% mu biro vyagenduwe .
- Kubera ata ngingo zanditswe zari zihari, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wabonye ko Ikomine yose yarifise uburyo butandukanye bw'ishira hamwe ry'ivyavuye mumatora. Nta nyandiko na zimwe ziza zemeza kukabankako ugukorera kumugaragaro n'ugusenyera k'umugozi umwe muri ico gikorwa.

**IMYIHWEZO Y'IMFATAKIBANZA**

## I. MU VYEREKEYE POLITIKE

Amatora y'abashingamateka yo kw'igenekerezo rya 23 Mukakaro 2010 agira ubwa gatatu mu rukurikirane rw'amatora atanu atunganijwe mu kiringo co kuva mu kwezi kwa Rusama gushika muri Nyakanga. Ayo matora kandi agira kabiri atunganijwe inyuma y'ikiringo c'intwaro y'imfatakibanza. Abarundi bahamagariwe gutora abashingamateka ijana, imbere yo guhava bongera amajwi, bakurikije uburyo bushingiye ku ntonde zugaye. Hitoje imigambwe indwi n'abigenga babiri. Imigambwe itatu gusa hamwe n'urunani rumwe nibo bashikirije intonde mu ntara icumi n'indwi. Twokwibutsa yuko amatora y'Abajenama b'Amakomine yo kw'igenekerezo rya 24 Rusama yakurikiwe n'imishamirano hagati y'umugambwe CNDD-FDD, ari nayo yatahukanye intsinzi muri ayo matora, hamwe n'imigambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi, baciyamiriza ivyavuye mu matora mbere bamwe muribo basokoye mu mugambi w'amatora.

Bano bahavuye biyunga mu runani rw'abaharanira intwaro rusangi n'ihinduka mu Burundi (ADC-IKIBIRI) kandi basavye, co kimwe na UPRONA, ko ivyavuye mu matora y'abajenama b'amakomine vyoba impfagusa, baranasavye ko umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu wosubirizwa. Bisubiye, imigambwe ihurikiye muri urwo runani yarahamagariye abanywanyi bayo kutitaba amatora y'umukuru w'igihugu mbere n'ayazokurikira. Muri iyo ntumbero nyene, abitoza bakomoka mu migambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi[1] baciye basokora mu matora y'umukuru w'igihugu, bareka uwahora arongoye igihugu, Petero Nkurunziza, ngo yitoze wenyene mu kibanza c'umukuru w'igihugu.

Imigambwe ihurikiye mu runani ADC-Ikibiri ntibabaye bagisubira mu mugambi w'amatora kandi basavye ko hotanguzwa ibiganiro vya politike imbere yo kubandanya umugambi w'amatora. Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora ntushimishwa no kubona ibiganiro vyatunganijwe n'amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za politike hamwe n'abashingantahe bitagize ico bishikako. Imigambwe ihurikiye mu runani rwa ADC-Ikibiri yaremeje ko igihe cose ivyo yasavye bitazoba birashirwa mu ngiro, ntizigera isubira mu mugambi w'amatora[2]. Yamara, umugambwe UPRONA, inyuma y'ibiganiro vyinshi, warisubiyeko uragaruka mu mugambi w'amatora. Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya ujejwe gukurikirana amatora ubona ko ihiganwa ahanini ryabaye hagati y'imigambwe ibiri ugereranije n'amatora y'abajenama b'amakomine : CNDD-FDD na UPRONA. Iyindi migambwe ahubwo yaranzwe no kutaboneka hamwe n'ibiharuro bikeyi mu gihe c'amatora y'abajenama b'amakomine.

## MU BIJANYE N'AMATEGEKO

Amategeko aratomora neza ukwo amatora atunganywa hisunzwe amategeko mpuzamakungu agenga amatora, ayo nayo benshi babona ko umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu hamwe n'amategetsi batashoboye kuyakurikiza ahubwo mbere yaranzwe n'ingingo zigiye ziratangwa mu mvugo kandi zitevye. Umugambi w'amatora wari ukwigirira amategeko awubahiriza ahanini yanditse kandi akamenyekanishwa.

Amategeko agenga amatora yo mu mwaka w'2010 agizwe n'amategeko atandukanye nk'ibwirizwa shingiro ryo mu mwaka w'2005, itegeko rigenga amatora ryo mu mwaka w'2009, itunganywa rya sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro na cane cane mu bijanye n'ukwo ibwirizwa gukorana n'inama nshingamateka hamwe n'amategeko-bwirizwa, amatangazo n'ingingo z'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu ujejwe gutunganya no gusigura ingene amatora atunganijwe. Ayo mategeko yose akomoka ku masezerano y'i Arusha yo kuwa 28 Myandagaro 2000, yo ashingira ku kunganisha abantu ufatiye ku vyiyumviro vya politike, ubwoko n'ibitsina.

Ukubuza ko imigambwe itatanze urutonde rw'abitoza ishobora kugira amanama mu kiringo co kwiyamamaza vyaragize ingaruka mbi ku gikorwa c'imigambwe na cane cane mu gutunganya amanama mu ntara zimwe zimwe.

Amategeko yuguruza ikiringo c'imyiyamamazo yemejwe imbere y'uko intonde z'imigambwe n'iz'abigenga zitari bwatunganywe ngo zimenyeshwe abatora. Umurwi w'ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona ko intonde z'abitoza mu bashingamateka n'abakenguzamateka zabwirizwa kumenyeshwa n'umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu imbere y'ikiringo co kwiyamamaza mu ntumbero yo gutunganya umugambi w'amatora ku mugaragaro.

Mu bijanye n'urukurikirane rw'amatora, Uumurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'iyegeranywa ry'amatora y'abashingamateka hamwe n'ay'abakenguzamateka, ari naryo ryatumye haba igabanuka ry'agacerere dusanga mu gitabu kigenga amatora kuva ku masaha 48 gushika ku masaha 24. Mu matora yo muri kazoza, umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya usaba ko ibiringo vy'ayo matora vyotandukanywa kugira ngo amategeko ashobore gukurikizwa.

Umurwi w'ishirahamwe ry'abanyaburaya waribukije kenshi ukuntu uhagaritswe umutima n'itunganywa ridashemeye ry'amatora y'umukuru w'igihugu, ay'abashingantahe, n'ay'abakenguzamateka no kubona atacategekanijwe kugira utunenge two mu matora y'abajenama b'amakomine dukosorwe. Mu ntumbero yo gutsimbataza intwaro ishingiye ku mategeko hamwe n'amategeko, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya urateye intege abategetsi vyega ko bokwuzuriza, bagatomora mbere bakanayamenyekanisha ku rwego rw'igihugu ingingo zitandukanye bijanye mu matora azokurikira.

## III. ITUNGANYWA RY'AMATORA

Amatora y'abashingamateka yatunganijwe n'Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, imirwi 17 ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'intara hamwe n'imirwi 129 ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'amakomine. Abatora bahamagariwe gutorera mu biro 6.969 vy'amatora.

Abajejwe gutunganya amatora baremeje ko uburyo bukwiye bwegeranijwe kandi ko bategera neza itunganywa ry'amatora atatu akurikirana. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatotra urashimishwa n'ukwitanga kwaranze abagize imirwi ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'intara no ku rwego rw'amakomine hamwe mbere no mu biro vy'amatora mw'irangurwa ry'umurimo wabo. Amakarata y'itora, asohorewe ku mashine muri Afrika y'epfo, yashitse kuwa 13 Mukakaro. Yatekewe ijana ijana, ari nabwo buhinga bwari bwakoreshejwe ku matora y'umukuru w'igihugu. Ibikoresho vyakiriwe n'umurwi ujejwe amatora ku rwego rw'amakomine no ku rwego rw'intara ku magenekerezo ya 17 na 18 Mukakaro i Bujumbura ku gihe kugira ngo babirabe ko bikwiye kandi bongere babikwiragize mu biro vy'amatora.

Mu nteguro y'amatora y'abashingamateka, inyigisho z'abagize imirwi ijejwe gutunganya amatora zaratunganijwe mu ntara ku magenekerezo ya 15 na 16 Mukakaro kugira ngo babe baramenyera ivyerekeye itunganywa ry'amatora, na cane cane ivyegeranyo vy'ivyavuye mu matora n'amabahasha. Izo nyigisho zisa nizikwiye dufatiye kuvyo bari basanzwe bazi kubera amatora aheruka. Kanatsinda, n'aho ata nyigisho zakorewe abagize ibiro vy'amatora, imirwi ijejwe gutunganya amatora ku rwego rw'amakomine yaratunganije amanama yo gusigurira abagize ibiro vy'amatora.

Umurwi ujejwe gutunganya amatora mu gihugu utegerezwa gutunganya amatora mu bijanye n'amategeko asiga inyuma ibisata bimwe bimwe vy'umugambi. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, ubwirizwa gushinga amategeko kugira ngo yuzurize ingingo zimwe zimwe z'umugambi w'amatora. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, waranarengeye ko izo ngingo zikenewe, uraheza wemeza amategeko avuguruza ingingo dusanga mu gitabu c'amategeko agenga amatora, mbere zinayahonyanga. Ni nk'ingingo ziha uburenganzira imirwi y'abatora kugira batorere mu biro batiyandikishirijemwo[3]. Ayo mategeko bwirizwa y'umurwi ujejwe wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, rivuguruza ingingo ya 55 y'igitabu c'amategeko agenga amatora, arashinga ibihe bitandukanye vyo gutora kenshi umuntu adahuta abona kiretse agumye yihweza neza ko rya rangi ridahanagurika ku rutoke rw'uwutora, canke mu kwihweza neza ivyegeranyo vy'ibikorwa vy'amatora (F1). Ariko uwo mwihwezo ntiwagenze

neza mu biro vyinshi vy'amatora twagendeye. Igihagaritse umutima, itegeko bwirizwa inomero 034 riha uburenganzira uwurongoye ibiro vy'amatora bwo guhindura igitigiri c'abantu icumi bafise uburenganzira bwo gutorera aho batiyandikishirije nkuko tubisanga mw'itegeko bwirizwa inomero 023. Igitigiri ciyongereyeko cangana n'ibice 3.4% vy'abatoye mu biro vy'amatora twagendeye ku murango.

*Amatora yo ku mugaragaro*

Ugukorera ku mugaragaro kw'umugambi kwaratosekajwe n'uko Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora, CENI, utashimye gukosora utunenge twibonekeje mu mugambi. Gukorera kumugaragaro bisigura ko imigambwe iri mw'ihiganwa hamwe n'abatora bashobora kwihweza bo nyene ukuri ku biringo vyose vy'amatora. Ibi navyo vyononywe n'uko ivyavuye mu matora bitahejeje ngo bimanikwe ku biro vy'amatora, hamwe n'uko abari bahagarariye imigambwe bataronkejwe ivyegeranyo.

Amatora arangiye, ibiro bimwe bimwe vyose biruzuza ivyegeranyo bitandukanye ari navyo baheza bakagwiza. Icegeranyo F1 canke icegeranyo c'ibikorwa vy'amatora ahanini birigana ; tubisangamwo ibintu vyose vyashitse mu gihe c'amatora nk'akarorero ivyerekeye abantu bose baje atabibaranga bafise, canke ibintu vyose abahagarikizi babonye. Icegeranyo F2 canke icegeranyo co guharura amajwi gikorwa ubwanyuma kandi kigizwe n'ibiharuro vy'ibiro vy'amatora.

Mw'ibaruwa ryo kuwa 8 Mukakaro, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Aabayaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wasavye Uumurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, gufata ingingo zose kugira ngo uwo murwi utorere inyishu ikibazo co gukorera ku mugaragaro, na cane cane mu kumanika ivyavuye mu matora mu bibanza vy'amatora, uburenganzira bw'abarorerezi n'abahagarariye imigambwe bwo kuronswa ivyegeranyo vy'ibikorwa vy'amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Uejejwe Gukurikirana Amatora warasubiye gusaba ko umugambi w'amatora worangurwa ku mugaragaro, mw'itangazo wacishije ku nsamirizi kuwa 15 Mukakaro. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora, CENI, ntaco wigeze ubivugako kandi wagarukirije ku vyegeranyo F1 bine hamwe n'ivyegeranyo F2 bitanu, abahagarikizi b'imigambwe itandukanye iri mw'ihiganwa bari bafise uburenganzira bwo kuronka icegeranyo kimwe gusa bagaheza bakagisabikanya hagati yabo, ivyo navyo bikaba bitoroshe namba.

Ingingo nyinshi ziri mu gitabu c'amategeko agenga amatora ziratomora neza ibijanye n'ikibazo c'uko abahagarikizi bafise uburenganzira bwo kuronswa ivyegeranyo. Nkuko tubisanga mu ngingo ya 42, « ivyegeranyo bihabwa abahagarikizi ». Ingingo ya 48 hamwe n'iya 62, ikigabane ca 3 ziri n'ico zivuga ku cegeranyo « bihabwa abahagarikizi ». Gukoresha ubwinshi muri izo ngingo zitatu bisa n'ivyerekana ko ivyegeranyo vyinshi bitegerezwa guhabwa abahagarikizi. Ingingo ya 70 yonyene niyo iha icegeranyo kimwe abahagarikizi.

Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, warihaye mbere uburenganzira bw' ukwongerako kuvyegeranyo bine vyari bihasanzwe icegeranyo c'uguharura ivyavuye mu matora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona ko ico cegeranyo ca gatanu cashizweho kugira corohereze ibikorwa ariko ukibwira ko Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatoramu gihugu, CENI, mu gikorwa cawo co kwubahiriza Ibwirizwa Shingiro mu bijanye n'amatora abereye ku mugaragaro, wari guhitamwo iyindi nzira irashe.

Ukudaha icegeranyo abahagarikizi baserukiye imigambwe bose vyatumye kandi bataronka uburengazira bwo gushikiriza utunenge babonye mu ntumbero y'uko hari ivyokosorwa, ingingo zizeza ko ibisabwa bizishurwa bigatuma utunenge dushikirijwe dukosorwa kandi bikandikwa mu vyegeranyo. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, mu kugabanya igitigiri c'abaserukiye abahagarikizi baserukiye imigambwe bahabwa icegeranyo kijanye n'uko amatora yagenze, ntiwisunze ingingo ya 42, ya 48, hamwe n'iya 62 yo mu gitabu c'amategeko agenga amatora. Kugarukiriza ku vyegeranyo bine hisunzwe ingingo ya 71 vyerekeye gusa icegeranyo kijanye n'uguharura amajwi ariko ntivyerekeye ibikorwa vy'amatora kandi bishoboka ko hagira ico babivuzeko. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikurikirana Amatora uranegura y'uko abahagarikizi baserukiye imigambwe bataronkejwe inyigisho zirashe zotumye bashobora gutahura akamaro ko kwandika ivyihwejwe mu cegeranyo, ukanegura kandi y'uko Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, utubahirije ingingo ya 43 ijanye n'ukuronsa uburyo abaserukiye abahagarikizi baserukiye imigambwe nk'uko igitabu c'amategeko agenga amatora kibitegekanya.

Naho ukwubahiriza gukorera ku mugaragaro hamwe n'uburyo bw'igenzura vyega ubwa mbere na mbere Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, ntibiha uburenganzira abanyepolitike bari mw'ihiganwa kuba ba sindabibazwa mu biberekeye. Kukaba nkako, gukorera ku mugaragaro bisaba ko abahagarikizi baserukiye imigambwe bitwararika ico gikorwa mukuguma aho barungitswe gushika igikorwa co guharura amajwi kirangiye, bakandikisha bikenewe ivyo bihweje mu vyegeranyo hamwe n'ugusaba yuko boronswa ivyo vyegeranyo. Birababaje rero ko abaserukiye imigambwe guhagarikira amatora bataronkejwe muri rusangi inyigisho zijanye n'ivyo, benshi bakaba mbere batamenyeshejwe ivyerekeye ingingo ngenderwako zizeza kw'ibisabwa bizishurwa. Ariko, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimishwa n'inyigisho zatanzwe na EISA itariki 19 Ruheshi naho zaje zitevye kandi zikaronswa abaserukiye imigambwe guhagarikira amatora bari ku rushi. Bitayeko, twihweje ubwinshi bw'abahagarikizi baserukiye imigambwe hamwe n'abahagarikizi b'abarundi bitavye ico gikorwa, turanegura ko hatabaye irindi harurwa ry'amajwi ryakozwe n'abaserukiye imigambwe guhagarikira amatora hamwe/canke n'abahagarikizi b'abarundi nk'uko ivyo bisanzwe bikorwa mu bindi bihugu.

Bitewe n'ihimirizwa ku bijanye n'ugukorera ku mugaragaro, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, waramenyesheje mu mvugo abaserukiye imigambwe guhagarikira amatora amasaha 48 imbere y'uko amatora aba ko icegeranyo c'iharurwa ry'amajwi kimanitswe mu ma CECI. Iyo ngingo yaje itevye kandi ntiyishuye kwihangiro ryari ryamenyeshejwe, kubera yatuma abaserukiye imigambwe guhagarikira amatora gutakaza icegeranyo bari bafitiye uburenganzira hamwe n'ukudashobora kumanika ivyegeranyo vyose mu buringanire bwa A3 bivuye ahanini mu biro vy'amatora 54 kuri CECI ku biro 6.969 vyo mu gihugu cose.

Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, waramenyesheje kandi y'uko imigambwe yitoje ishobora koronswa icegeranyo c'iharurwa ry'amajwi umunsi ukurikira mu ma CEPI. Iyo ngingo ntiyorohereza ikurikiranwa ry'intonde kuva ku gikorwa co guharura amajwi. Iratera kandi intambamyi, ku ma CEPI kubera abwirizwa kugwiza ivyegeranyo bivuye ahabereye amatora hose ahanini, kubaserukiye imigambwe guhagarikira amatora nabo nyene bagategerezwa kuja ku murwa mukuru w'intara. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ko atarwandiko rutomora uko ico gikorwa cogenda canditswe.

*Uko Abarundi baba mu mahanga bitavye amatora*

Abarundi baba mu mahanga barashobora gutora Umukuru w'Igihugu, Abashingamateka n'ukwemeza muri kamarampaka. Ukwiyandikisha vyabaye itariki 15 Ruhuhuma. Bose hamwe, igitigiri kingana 4.604 c'abatora bariyandikishije kuzotora mu biro vy'abaserukira Uburundi mu mahanga. Kubijanye n'amatora y'Abashingamateka, Abarundi batora intonde z'abitoza bisunze umugambwe wabo. Bategerezwa kwandika inyuma y'ikarata y'amatora umugambwe batoye. Ivyegeranyo bikarungikwa n'ibiro vy'uwuserukira igihugu mu murwi CENI. Amatora y'Umukuru w'Igihugu hamwe nay'Abashingamateka yakozwe mubiro 32 vy'abaserukira igihugu mu makungu. Twisunze ibiharuro duhabwa na Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro, amajwi 3.539 yaratanzwe mu matora y'Umukuru w'Igihugu.

*Ishirwaho ry' Abajenama b'Amakomine*

Mu nama yawo ya mbere, Umurwi w'Abajenama b'Amakomine uratora hagati muriwo uwuzoba musitanteri, Umukuru w'uwo murwi hamwe n'Icegera ciwe. Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, mu ngingo yawo ya 0.30 yo kuwa 28 Myandagaro ishinga ko itariki ya 03 Ruheshi ariho hobera inama ya mbere y'Abajenama b'Amakomine ikanatomora ko mu gihe igitigiri cemezwa n'amategeko arico 2/3 kidakwiye, inama igira kabiri yotumwako itariki 06 Ruheshi, hanyuma iyindi kuwa 08 Ruheshi bikenewe.

Ku Bajenama 129, 104 barashoye gukwiza igitigiri c'abitavye inama yogutora ababarongora. Mu yandi makomine asigaye, iciyumviro c'ugukuraho abagize uwo murwi caraseruwe kugira hakorwe ayandi matora, ivyo bikaba bitegekanywa n'ingingo ya 102 y'itegeko rigenga

amakomine. Ico kibazo carigaragaje naho cega intara za Bujumbura Rural, Bururi, Mwaro na Bujumbura Mairie. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urahagaritswe umutima n'iterabwoba rikorerwa Abajenama b'Amakomine batowe mu gihe c'itorwa rya musitanteri wa Komine. Harageze naho bamwe bafungwa kugira ngo ico gikorwa co gutora kirangurwe ariho bari, aho ni nk'i Bururi, mu ntara ya Bururi.

## IV. IYANDIKWA RY'ABITOZA

Hisunzwe Igitabu c'amategeko agenga amatora, iyandikwa ry'abitoza k'urwego rw'Abashingamateka n'Abakenguzamateka risaba ukuzana idosiye hamwe no gutanga ingwati. Kuronka ivyangombwa bimwe bimwe vyo mu dosiye nk'urupapuro rwemeza inyifato n'akaranga bibereye, urwandiko rwemeza ko udakurikiranwa n'ubutungane hamwe n'ingwati (500.000 BIF ku ntonde z'abashingamateka na 400.000 BIF kuz'Abakenguzamateka) vyarakerererewe kandi vyaragoranye nk'uko vyari vyagenze mu matora y'Abajenama b'Amakomine. Hisunzwe ikirangaminsi c'amatora, ikiringo c'ukwiyandikisha catangurana n'itariki 09 kigasozerwa kw'itariki 23 Ruheshi 2010 ku bashingamateka hamwe no kuva itariki 14 gushika 28 Ruheshi 2010 ku bakenguzamateka. Kubera icuka ca politike cakurikiye amatora y'Abajenama b'Amakomine nay'Umukuru w'Igihugu, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, warunguruje incuro nyinshi itariki yo gutangirako amadosiye y'Abashingamateka kuva kw'itariki 23 yungururizwa kuwa 27 Ruheshi, kuwa 04 no kuwa 09 Ruheshi hamwe n'itariki 09 Ruheshi na 28 Ruheshi hamwe na 15 Mukakaro ku bakenguzamateka. Itariki yo gutangirako ingwati kubitoza nayo nyene yarasubijwe inyuma kw'itariki 09 Mukakaro ku bashingamateka hamwe na 16 Mukakaro ku bakenguzamateka. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratahura ko ayo matariki yungurujwe mu ntumbero y'ukworohereza igaruka mu mugambi w'amatora ry'imigambwe itavuga rumwe na Reta. Ariko, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wasanze iryo yunguruzwa ry'amatariki rinyuranye n'itegeko bwirizwa ry'Umukuru w'Iguhugu ritanguza imyiyamamazo ijanye n'ayo matora y'Abashingamateka n'ay'Abakenguzamateka. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ko imyiyamamazo ijanye n'ayo matora yompi yatangujwe kandi intonde zanyuma zitari bwashingwe bigatera uruhagarara ku vyerekeye amategeko hamwe n'uburengazira butangana ku migambwe mu kwiyamamaza.

Imigambwe indwi (CNDD FDD, FRODEBU NYAKURI, KAZE FDD, FROLINA, PTD, Coalition CELAT HUMURA) n'intonde zibiri z'abigenga (Patrick HAMENYIMANA wo mu ntara ya Bururi na Déogratias HAKIZIMANA wo mu ntara ya Muramvya) nibo biyandikishije mu matora y'abashingamateka. Muri bo, imigambwe ine gusa niyo yashitse mu ntara zose uko ari cumi n'indwi.

Ku vyerekeye abitoza mu kibanza c'abakenguzamateka, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratera intege Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, wuguruye ikiringo co gushikana ibisabwa ko wokwerekana neza urutonde ntabanduka rwabitoza kuva kw'itangazo ryasohotse itariki 3 Mukakaro ryavuga ukwiyandikisha ku mugambwe umwe rudende CNDD FDD. Mu gusozera Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora waramenyeshejwe yuko Umugambwe UPRONA watanze intonde zabitoza mukibanza c'abakenguzamateka mu ntara 14 igihe co gutangaza ico cegeranyo.

## V. IMYIYAMAMAZO Y'AMATORA

Imyiyamamazo yabaye mu kiringo co guhangana muri politike ivyo vyose bikaba mu mutekano. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye igabanuka ryo gutera ibisasu biturika vyari vyibonekeje mu matora y'Umukuru w'Igihugu, ariko uwo mugwi ntushimishwa kandi uranebagura igitigiri vy'abafunzwe hamwe n'abahasize ubuzima. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa ko umutekano muke, hamwe n'ububisha bidafasha mw'itunganywa ry'amatora yubahiriza intwaro rusangi.

Urunani ADC-Ikibiri wabandanije kutitoza uca unahamagarira abanywanyi babo kutitaba amatora. Iyo migambwe yabandanije idakorera ahabona bivuye kukwankirwa amanama n'imyiyamamazo ku migambwe itatanze abayiserukira. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora waratewe akamo n'Imirwi itari mike y'amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za politike ku vyerekeye ugutosekaza agateka ka zina muntu n'itera bwoba rigirirwa imigambwe itavuga rumwe na Reta mu guta muri yompi abanywanyi n'abarongozi b'iyo migambwe. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uribukije ko icuka cose co guhungabanya umutekano kibera intambamyi mw'itunganywa ry'amatora meza.

Ku vyerekeye abajejwe umutekano, inyifato yabo muri rusangi yagumye ari nziza. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uributsa yuko m'umugambi w'amatora usaba abajejwe umutekano gukinga ataho begamiye bakurikije amategeko ku nyifato yose yo guhungabanya umutekano. Kukaba nkako, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimikira ku vyakozwe n'Imbonerakure mu gukorana hafi na hafi n'abajejwe umutekano.

Gushika kw'itariki yo kwiyamamaza kw'abashingamateka, hari ugukekeranya kubw' imigambwe yariko irahiganwa ku vyerekeye iyongerezwa ry'igihe co kwuzuza ibisabwa no gushikiriza ya ngwati isabwa gushika itariki 9Mukakaro. Intonde yanyuma yasomwe

itariki ya 12 Mukakaro ni no kuri iyo tariki nyene imigambwe imwe imwe yari yacerewe kuri ca kiringo c'ugutanga ibisabwa yemererwa kwiyamamaza.

Imyiyamamazo yatanguye itariki 7 Mukakaro buke buke n'amakoraniro ya politike ku misozi cane cane agizwe na CNDD FDD. Muri rusangi, uwo mugambwe wagize imyiyamamazo isa n'iy'Abajenama b'Abakomine n'iy'Umukuru w'Igihugu mu kuvanga amakoraniro manini manini n'imyiyamamazo yo ku nzu ku nzu n'amanama agizwe n'Umushingamateka yitoza muri komine avukamwo. Amajambo y'imyiyamamazo yashimikiye cane cane ku vyakozwe iyi myaka 5 iheze. Naho Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, wagabishije, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye ikoreshwa ry'itunga rya Reta mu myiyamamazo cane cane n'umugambwe CNDD FDD. Aho twotanga akarorero k'ikoreshwa ry'imiduga y'uburongozi. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'uko iyo ngendo ibujijwe n'igitabu c'amategeko agenga amatora ikaba ihushanye n'ingendo ibereye y'amatora muvyerekeye uguhiganwa kungana itigeze ihanwa n'ubuyobozi bubijejwe nkuko vyari kumera mu matora y'Abajenama b'Amakomine nay'Umukuru w'Igihugu.

Amakoraniro mannii manini y'umugambwe CNDD-FDD yari ahushanye n'amakoraniro mato mato y'iyindi migambwe iriko irahiganwa. Kukaba nkako, mu matora y'Abajenama b'Amakomine iyo migambwe yaranzwe no kutibonekeza mu myiyamamazo n'igitigiri gito cane ca majwi, kiretse UPRONA yari mukibanza ca gatatu. Urugero rw'ibikorwa vy'imyiyamamazo y'amatora y'abashingamateka vyagaragajwe nukutibonekeza kiretse umugambwe URONA wiyamamaje ku nzu ku nzu ugira n'amakoraniro, ibindi bikorwa vy'imyiyamamazo yi yindi migambwe, ntivyabonetse cane canke ngo vyigaragze mu gihuhu hagati. Niyaba UPRONA mw'ijambo washikirije washimikiye kw'igaruka ryawo mu mugambi w'amatora, mu kugerageza guhamagara abanywanyi ba ADC-Ikibiri, iyindi migambwe yo yashimikiye ku neza yokuronka imigambwe myinshi mu Nama Nshingamateka itarinze kuba kubiri na CNDD-FDD.

*Igabanywa ry'ubwigenge mu bijanye na Politike hamwe n'ihagarikwa rijanye n'amatora*

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wabonye ko mu mugambi w'amatora habaye iyongerezwa ry'ukubura uburenganzira bw'ugukorana, bwo gutunganya imyiyerekano, n'ugushikiriza ivyiyumviro vya politike. Ku vyerekeye iryo gabanwa, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uratewe amakenga n'amategeko bwirizwa y'Umukuru w'igihugu yokuwa 6 na 11 Mukakaro yuguruwe mu myiyamamazo y'Abashingamateka n'Abakenguzamateka, wihweje ingingo ya 29 y'igitabu c'amategeko agenga amatora ibuza imigambwe itagira abitoza kugira amanama y'amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora waratewe akamo n'imigambwe itavuga rumwe na Reta kwitinya gukorana no mu biro bikuru vy'imigambwe yabo ngo ntibahave bafungwa.

Kukaba nkako, ihagarikwa ry'abanywanyi benshi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta (FNL, UPD, MSD, Uprona na CNDD) ryakozwe n'abacungera umutekano n'urwego rw'igihugu rujejwe iperereza muri kino gihe c'amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora nawo nyene warahuye rimwe na rimwe n'ingorane mu gukorana n'imigambwe imwe imwe itavuga rumwe na Reta mu ntara kuko abanywanyi bayo bari mu mvuto, barinyigeza, abandi barahunze batinya gufungwa. Ku vyerekeye uguhagarikwa, Ishirahamwe rijejwe guharanira agateka ka zina muntu APRODH n'ishami ry'ishirahamwe mpuzamakungu riharanira agateka ka zina muntu n'ibiro vyishirahamwe mpuzamakungu baremeje iyongerekana ry'ihagarikwa n'ifungwa mu gihe c'amatora. Ayo mashirahamwe 2 baharuye abafungwa 242 hagati y'ukwezi kwa Rusama n'itariki 20 Mukakaro 2010. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ushimye gushikiriza amakenga ufise ku vyerekeye ihagarikwa y'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta.

## VI. AMASHIRAHAMWE YIGENGA ADAHARANIRA INYUNGU ZA POLITIKE, ABAROREREZI BO MU BURUNDI NA MPUZAMAKUNGU

Amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za politike yiyemeje gukurikirana ivy'amatora mu mice itandukanye nko guhuza hamwe no guhagarikira amatora. Mu mashirahamwe yiyemeje gukurikirana ivy'amatora, ukuja hamwe kw'amashirahamwe yigenga adaharanira inyungu za politike muvyo guhagarikira amatora (COSOME), Inama y'Abepisikopi y'Ubutungane n'amahoro, abahagarikirizi ba Afrika (OADAME), Ishirahamwe rijejwe kurwanya ibiturire n'isesagurwa ry'amatungo ya Reta (OLUCOME), Ishirahamwe ryo gutwara neza n'iterambere muri rusangi Fontaine-Isoko, Ishirahamwe Dushirehamwe bose bari batanze abahagarikira amatora aheruka kuba. Mu matora y'Abashingamateka, COSOME yatanze abahagarikira amatora 4.500, CEJP 2.304, OADAME 645, OLUCOME 400, Fontaine-Isoko 220 hamwe na Dushirehamwe yatanze 220. Ku munsi w'amatora abahagarikizi b'Abarundi bagera ku bice 82.17% mu biro vy'amatora yagendewe n'abahagarikizi b'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora, na cane cane abahagarikizi ba COSOME (62.4%), aba CEJP (43.4%), aba OADAME (15%), aba OLUCOME (8.7%) hamwe naba Fontaine Isoko (4.9%).

Abandi bahagarikizi mva makungu bava muri Reta zunze ubumwe za Amerika, Ububirigi hamwe n'Ishiramwe AWEPA eka n'abandi 22 baserukira Ibihugu vy'Ubufaransa, Ubudagi, Ubwongereza, Ubuhorande, Kenya, Ubuganda hamwe na Tanzaniya. N'Amashirahamwe mvamakungu yararungitse abahagarikizi na cane cane Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika bwatanze abahagarikizi bagera kuri 30, Ishiramwe ry'Ubutunzi bw'Ibihugu ya Afrika yo Hagati (CEEAC) yatanze abahagarikizi bagera kuri 15, Ishirahamwe ry'Ibihugu vya Afrika

y'Ubuseruko (CEA) itanga abayiserukira 22. Ishirahamwe Mpuzamakungu rihurikiyemwo ibihugu bivuga Igifaransa ryaserukiwe n'abantu batanu bari bafise igikorwa co gushikiriza ivyavuye mu matora.

## VII. IBITSINA N'INKEHWA

Mu Burundi, amategeko aha uburenganzira abakenyezi n'inkehwa kuja mu vya politike tuyasanga mu masezerano y'i Arusha no mw'Ibwirizwa Shingiro. Kubw'Inama Shingamateka, Ibwirizwa Shingiro ritegekanya ibice 30% vy'abakenyezi, iyinjizwa ry'inkehwa z'aba Tutsi ku bice (40% b'abashingamateka) hamwe n'ubwoko bw'abatwa (abashingamateka batatu). Kwongerwamwo kw'abashingamateka batatu bo mu bwoko bw'abatwa vyakozwe hakwirikijwe intonde zatanzwe n'Amashirahamwe baserukira.Ku ntonde zugaye Abashingamateka b'imigambwe ihiganwa bakwirikije igiharuro kitarenga n'imiburiburi 30% c'abakenyezi. Igitigiri c'abakenyezi batangura ku ntonde cagumye ari gito, bari 18 ku gitigiri rusangi c'intonde 81. Kw'igenekerezo rya 18 Rusama 2010, Ishirahamwe"Tuje hamwe mu guteza imbere Abatwa"(Uniproba) baratoye uwubaserukira bashikiriza CENI kugira ngo bongerwe mu Nama Shingamateka n'Inama Nkenguzamateka. Muri rusangi, abantu 8 baratowemwo 4 b'Inama Nkenguzamateka. Ku kiringo ca 2005-2010, ku bantu 8 bo mu bwoko bw'Abatwa, 2 bari basanzwe mu Nama Shingamateka na 3 mu Nama Nkenguzamateka.

Kw'igenekerezo rya 22 Mukakaro, Ubushikiranganji bw'Agateka ka zina muntu n'ukunganisha ibitsina bushigikiwe na UNIFEM hamwe na Fondation Intahe batanze imfashanyo y'imiriyoni 20 z'amafaranga y'amarundi ku migambwe itanu, ku runani(CNNDD-FDD, Uprona, FRODEBU-Nyakuri, Kaze-FDD, PTD hamwe n'urunani CELAT-HUMURA) n'uwitoza yigenga (Déogratias HAKIZIMANA) mu guhiganwa mu matoro y'Abashingamateka ngo bashigikire inguvu zabo mu bijanye no kubahiriza amategeko ajanye n'ibitsina. Kukaba nkako, UNIFEM yarashigikiye yuko ubwo buhinga buzokoreshwa mu matora y'Abakeguzamateka.Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimishwa n'inguvu zakoreshejwe n'abategetsi naho vyatevye kugira ngo batere intege abitoza mu mirwi idaserukiwe bikwiye dukwirikije ibigenga amatora.

## VIII. AMATATI ATURUTSE KU MATORA

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ingene ibijanye n'amatati aturutse mu matora adasigurwa neza mu gitabo c'amategeko agenga amatora no muri Sentare y'Ubahiriza Ibwirizwa Shingiro, zikaba ari inzego zikwirikirana amatora mu gihugu, zitamenyekanishije bikwiye imbere y'amatora twahagarikiye.

Ibiharuro vy'imfatakibanza vy'amatora y'Umukuru w'Igihugu vyashizwe ku mugaragaro na CENI kuwa 30 Ruheshi mu kigo King's Conference Center, ivyegeranyo vy'amatora y'Umukuru w'Igihugu navyo birungikwa muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro kuva kw'igenekerezo rya 6 Mukakaro. Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro yaramenyesheje Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ko ata tunege basanze mu matora ari navyo vyatumye bashikiriza ibiharuro ntabanduka kw'igenekerezo rya 8 Mukakaro naho vyari bitegekanijwe kuwa 13 Mukakaro ku kirangaminsi cari catanzwe. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urongera ukavuga ko urajwe ishinga n'isuzuma rike ryabaye mu minsi ibiri gusa (hagati y'igenekerezo rya 6 na 7 Mukakaro) ku matora akomeye nkayo. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uramenyesha ko inzandiko zarungitswe na CENI muri Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro kugira bashobore kuraba kw' amatora ariko arakurikiza amategeko ntivyorohereje uwo murwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora mu kubikurikiranira hafi ndetse no mu guharura nkuko vyanditswe mu gitabu c'amategeko agenga amatora.

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urongera ukanegura ingene izo nzego zitabonye ko bikenewe kubimenyesha abahagarikizi b'amatoro baserukira imigambwe n'abarundi kugira babikeneye bashikirize utunenge. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura kandi kw'ivyegeranyo bitamanitswe ku biro vy'amatora no ku murwi ujejwe gukurikirana amatora ku rwego rw'intara, CEPI kugira bafashe mu kumenyekanisha ivyavuye mu matora no mu kworohereza kubijanye n'ukwerekana utunenge turimwo. Kubwa CENI, nta kurenga ku mategeko kwabaye canke ngo guhanwe n'itunganywa ry'amatora canke n'ibisata bibijejwe.

Kubijanye n'amatati aturuka ku matora y'Abashingamateka n'Abakenguzamateka, Sentare yubahiriza Ibwirizwa Shingiro na CENI nta tunenge twagaragaye canke ukwidoga kuri urwo rugero naho Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wabonye ukutubahirizwa kw'amategeko mu bijanye n'amatora na cane cane mu kiringo co kwiyamamaza (ikoreshwa ry'uburyo bwa Reta; ukutubahirizwa kw'ikiringo n'ikirangaminsi c'imyiyamamazo y'amatora).

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urongera ukanebagura ugushaka guke kugushiraho igitabo co kwitwara mu vyerekeye amatati dukwirikije amategeko mpuzamakungu ajanye no gusaba gukosora utunenge no gutera intege abategetsi b'Abarundi hamwe n'Ishirahamwe mpuzamakungu mu gukorera hamwe mu kongereza ubumenyi n'ubuhinga ku bari mu mugambi w'amatora.

## IX. KU BIJANYE NO KUMENYESHA AMAKURU

Ibimenyeshamakuru vyarakurikiranye ingene amatora y'Abashingamateka yagenze biciye mu makuru ariyo bise « synérgie des médias ». Hanze y'urwo runani, amakuru y'ibinyamakuru vyigenga bitari bike yarashimikiye cane cane kuvyerekeye umutekano mu gihe c'ukwiyamamaza, ihagarikwa ry'abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe na Reta hamwe n'ibigize Ibwirizwa Shingiro ry'Abajenama b'amakomine. Ibinyamakuru vyarashoboye muri rusangi kurangura akazi bijejwe mu kwubahirizwa mu bwigenge bwabo. Ariko rero, hari abamenyeshamakuru baburabujwe ivyo nivyameshejwe n'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora. Uwo murwi urashimika ko hoba iyubahirizwa ry'agateka k'abamenyeshamakuru mu gutanga amakuru ajanye n'ivya politike mu bwigenge ntangere, mu mutekano, mugukingingwa n'abategetsi. Vyongeye Umurwi w'Ishirahamwe ry'abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warakozweko n'ihagarikwa n'ifungwa ry'umuyobozi w'ishami Net Press. Umurwi w'Ishirahamwe ry'abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urarajwe ishinga nico kibazo.

Nkuko vyagenze mu matora aheruka, ibimenyeshamakuru vyarakoreye hamwe kugira bishikirize amakuru ajanye n'amatora ajanye n'Abashingamateka. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimishwa n'uko ukwo gusenyera ku mugozi umwe kwagenze neza ukongera ugatera intege ibimenyeshamakuru kugira bikore ukwo mu matora yo ku mitumba mu kwezi kwa Nyakanga. Ibimenshamakuru vyarakurikije muri rusangi ingingo ngenderwako mu gihe c'amatora. Ariko rero, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ntushimishwa n'ibiganiro bimwe bimwe vyashikirijwe kw'itariki 14 na 15 Mukakaro n'iradiyo Rema FM icuditse n'umugambwe CNDD-FDD.

Nkako, abakorana n'iyo nsamirizi baciye bidogera abarongoye ibinyamakuru bimwebimwe mu biganiro batanze. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uribukije abamenyeshamakuru ko babwirizwa kwirinda gurtyoza bagenzi babo kwotuma uwo mwuga unebagurwa nk'uko amategeko awugenga mu Burundi abitegekanya.

Ibimenyeshamakuru vy'igihugu vyarahaye akaryo imigambwe itandukanye n'abitoza ku giti cabo kugira batange ubutumwa bwo kwiyamamaza.Yamara iyo migambwe n'abo bitoza ntibubahirije urutonde rwari rwaringanijwe n'Urwego Rw'Igihugu Rujejwe Ibimenyeshamakuru (CNC).Vyongeye, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora ubona ko ingingo y'Umukuru w'Urwego Rw'Igihugu Rujejwe Ibimenyeshamakuru,Umupfasoni Vestine NAHIMANA, yo kwitoza mu bakenguzamateka mu ntara ya Bubanza, yatumye binuba ukutagira aho wegamiye kwategerezwa kuranga urwego rujejwe gukurikirana ibimenyeshamakuru. Ivyo bigatosekaza umuco n'ubwigenge bw'urwo rwego. Bitayeko, Umugwi w'Ishirahamwe Ry'Abanyaburaya Ujejwe Gutunganya Amatora wasanze insamirizi STAR FM iza iratoba ibiganiro vy'izindi nsamirizi zirungika mu

Kayogoro mu ntara ya Makamba. Ni co gituma abatora muri iyo ntara batashoboye kuronka amakuru y'abitoza ku bwinshi ngo bashobore kwihitiramwo uko bishakiye.Umugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uteye akamo Urwego rw'Igihugu rujejwe Ibimenyeshamakuru ngo ukiranure ico kibazo mu maguru masha.

Urunani rw'Ibimenyeshamakuru rwarashinzwe ngo rukurikire neza ingene ikiringo c'amatora co kuva kw'igenekerezo ry'7 gushika 20 Mukakaro. Ukwiyamamaza kw'imigambwe imwimwe kwatanguye gutevye, kuko ihisemwo guca ku nzu ku nzu, ukutaringanira kw'ibitigiri vy'abitoza mu ntara, ivyo vyose vyatumye umugambwe CNDD-FDD ufata uruhara runini ku nsamirizi. Nkako, umurongo wa mbere n'uwa kabiri y'insamirizi y'igihugu yahariye ibice 50 kw'ijana vy'umwanya w'ibiganiro umugambwe CNDD-FDD, 30% kuri UPRONA, na 15% kuri FRODEBU-Nyakuri. Ku vyerekeye Imboneshakure y'Igihugu ukutaringanira kw'umwanya wahariwe ibiganiro vy'imigambwe kurigaragaza kurusha : CNDD-FDD 76% ; UPRONA 16% ; FRODEBU-Nyakuri 3%. Ku vyerekeye Insamirizi zigenga, Bonesha FM n'Isanganiro na zo nyene zahariye igice kinini c'umwanya w'ibiganiro kuri CNDD-FDD 49% ugereranije na 28% kuri Uprona na 16% kuri FRODEBU-Nyakuri. Vyongeye, Insamirizi y'Abanyagihugu RPA n'imboneshakure yigenga Renaissance zahariye ibice 46% kuri CNDD-FDD, 35% kuri UPRONA na 13% kuri FRODEBU-Nyakuri. Kandi, nk'uko Imboneshakure y'Igihugu yabigize Rema-FM yaranzwe n'ukutaringanira kw'umwanya wahariwe CNDD-FDD ugereranije n'iyindi migambwe : 54% ku mugambwe wUumukuru w'Igihugu ugereranije na 24% kuri UPRONA na 14% kuri FRODEBU-Nyakuri. Urunani CELAT-Humura rwafashe ibice 4% vy'umwanya w'ibiganiro wahariwe imigambwe n'abitoza ku giti cabo bahiganirwa ku bimeshamakuru vyagenduwe na wa Mugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora. Ku vyerekeye imigambwe PTD, Frolina, KAZE-FDD na bamwe bitoza ku giti cabo ibiharuro vyegereza ibice 3%.

## X. AMATORA YO KU WA 23 MUKAKARO 2010

Umugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warakurikiye itangura ry'amatora, ingendo yayo, n'iharura ry'amajwi mu biro vy'amatora bishika 404 kuri 6.969 biri mu gihugu cose. Uko ivyavuye mu matora vyagiye birarungikwa, Umugwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Amatora warakurikiye iyegeranywa vy'ivyavuye mu matora mu migwi ijejwe gukurikirana amatora ku rwego rwa Komine CECI 26 no mu migwi ijejwe gukurikirana amatora ku rwego rw'intara CEPI yose uko ari 17.

Amatora yabaye mu mutekano ntangere. Abarorerezi basanze inyamiramabi zirariye hafi ibiro vyose vy'amtora vyagenduwe. Iyugururwa ry'amatora ryarashimwe mu bice 90% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe n'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Amatora. Ibiro vy'amatora bitari bike vyacerewe hagati y'iminota 15 na 45, muri rusangi bikaba vyava ku gusohora ibikoresho batevye, canke abagize ivyo biro bagashika batevye,

ariko ivyo vyose nta co vyononye. Abahagarikizi barungitswe n'imigambwe ni ho bari mu bice 73.5% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe kuva bicugururwa.

Ingendo y'ibikorwa vy'amatora yarabwe ryiza na ba barorerezi mu bice 88% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe, naho bitakozwe kumwe hose. Mu bice 94.2% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe ibikoresho vyari bikwiye. Mu bice 98.6% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe abahagarikizi barungitswe n'imigambwe niho bari harimwo n'aba CNDD-FDD (94.8%), UPRONA(61.9%), FRODEBU-Nyakuri(17.1%). Abahagarikizi baserukira imigambwe bo kuri rumwe muri za ntonde zitandatu niho bari mu bice biri munsi ya 3% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe. Abarorerezi basanze ubwiherero buri ahantu hatuma uwutora abikora mw'ibanga mu bice 96.8% vy'ibiro vy'amatora. Yamara gusuzuma ko rya rangi ritazimangana rikora neza, vyabaye mu bice bitarenga 67.1% vy'ibiro vyagenduwe. Bisubiye gusuzuma ibiranga uwutora vyakozwe mu bice bitarenga 11% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe. Nayo abemerewe gutora badafise ibibaranga bari mu bice 61.3% vy'ibiro vy'amatora vyagenduwe.

Ibikorwa vyo guharura ivyavuye mu matora vyarabwe ryiza mu biro vy'amatora bitari bike.Abatora biyongereye bangana n'ibice 3.5% vy'abatoye bose mu biro vy'amatora vyagenduwe ku murango. Abarorerezi b'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Amatora wasanze hariho ukwitiranya no kuzazanirwa ku gitigiri c'abatora boba bariyongereye. Amatora arangiye,u rupapuro rw'icegeranyo F1 rw'ingendo y'ibikorwa vy'amatora rwarashikirijwe abahagarikizi mu bice bidashika 50% vy'ibiro vy'amatora, guharura kwahagarikiwe.

Ko ata mategeko yanditse agenga iyemezwa ry'ivyavuye mu matora ryari rihari, Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Amatora wasanze ico gikorwa kirangurwa ku buryo butandukanye kw'ikomine kw'ikomine. Nkako nta rwandiko na rumwe ruhari rwerekana ko iyo ntambwe y'amatora izira amahinyu canke ko abakijejwe basenyeye ku mugozi umwe. Abarorerezi b'Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Amatora basanze ko iyemezwa ry'ivyavuye mu matora muri ya migwi ijejwe gukurikirana amatora ku rwego rwa komine CECI hari habuze ugukora ku mu garagaro mu bice 25% vy'ayo ma CECI aho ico gikorwa cakurikiranywe. Aho abahagarikizi baserukira imigambwe bari ntiharenga ibice 16.7% vy'ama CECI yagenduwe n'abarorerezi b'Abarundi mu bice 54%. Abemeza ivyavuye mu matora ntibasenyeye ku mugozi umwe kiretse mu bice bitarenga 46% vy'ama CECI yagenduwe.

Umugwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI, uremeza ko hashikirijwe mu mvugo ku murango w'amatora itegeko ryo kumanika urupapuro rw'icegeranyo F2 c'ivyavuye mu matora rurungikirwa abahagarikizi bo kuri CECI. Benshi mu bagize ibiro vy'amatora bararonse iryo bwirizwa mu ntango yo guharura. Mugabo, iryo tegeko ryatanzwe mu mvugo

ntiritomora abajejwe kugitwara no ku kimanika n'ukugene ico gikorwa categerezwa kurangurwa.

Turavye ivyagiye mu ngiro,Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora warabonye ko imanika rya vya vyegeranyo F2 ryabaye muri CECI imwe kuri 27 zagenduwe gushika mu gicugu muri komine Gihanga, intara ya Bubanza. Gushika isaha 9 z'umuhingamo kw'igenekerozo rya 24 Mukakaro ivyegeranyo vyari bimanitse muri CECI 14 kuri 57 zagenduwe. Kw'isaha 12 z'umuhingamo z'uwo munsi nyene Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora wasanze ivyegeranyo F2 bimanitse, ariko bituzuye hamwehamwe, muri CECI 41 kuri 98 zagenduwe ni ukuvuga ibice 24%; icabujije iryo manika, ubona, kikaba cari ikibanza caze. Umurwi w'Ishirahamwe Ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora uranegura ko mu ma CECI atari make yagenduwe ivyo vyegeranyo bitamanitswe, kandi urababazwa no kubona n'aho vyoba vyarakozwe hatubahirijwe kwihutira kubimanika.

---

Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora washaka gushimira Reta y'Uburundi, Umurwi wigenga ujejwe gutunganya amatora mu gihugu, CENI ; Abarongozi b'inzego bose, Imirwi y'intumwa z'abarorerezi mvamahanga hamwe n'izo mu gihugu, hamwe n'Amashirahamwe adaharanira inyugu za polotike yo mu Burund,i mu gufashanya kwabo hamwe n'ukutwakira neza muri iki kiringo co guhagarikira amatora. Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora urashimira Intumwa z'Ishirahamwe rya Buraya ryo mu Burundi, ukongera ugashimira Intumwa ziserukira ibihugu vyabo mu Burundi, hamwe rero na TRANSTEC, mu gusenyera ku mugozi umwe muri iki kiringo c'amatora. Iki cegeranyo kikaba kiriho no mu Kirundi kuri bwa buhinga bw'ingurukanabumenyi bw'uyu mugwi: http://www.eueom.eu/burundi2010. Icegeranyo co mu Gifaransa conyene nico cokwizerwa.

**Mufise ico mubaza, hamagara :**
Umushingantahe Tommaso Caprioglio, Icegera c'Umukuru w'Intumwa z' uyu mugwi, tél : + 257 78 293 364
Umushingantahe Renaud Dewit, Ashinzwe Ibinyamakuru, tél : +257 78 293 373

**Umurwi w'Ishirahamwe ry'Abanyaburaya Ujejwe Gukurikirana Amatora-BURUNDI 2010**
**BRIGHT Hotel Rohero 2, Avenue Kunkiko No. 42,**
**BP 1545 Bujumbura tél: +257 22 25 61 88**